# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije



# Ishengero Rihura N'ingorane


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www. M1914. org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.





Haheze imisi mirongo itanu Yesu umwana w'Imana azutse mubapfuye, Mpwemu yera aza kubigishwa biwe. N'aho abo batari batahuye ingene Imana Data, Imana umwana (Yesu) n'Imana Mpwemu yera bashobora kuba Imana imwe, baranezerewe n'uko Imana iba muribo. Imana yakoze ibintu bitangaje cane mugufasha intumwa kubwira abandi ivya Yesu.





Abantu bizera Yesu baca basangira ivyo bafise vyose kandi baritaho cane abakene. Ariko umugore n'umugabo bitwa Ananiya na Safira barahemutse. Bagurishije itongo ryabo hanyuma bashaka guha intumwa amafaranga bahagurishije. Ariko mw'ibanga, barisigarije igice kimwe c'amafaranga bari bagurishije iryo tongo.
3
Petero abaza ananiya ati: "Ni kuki satani yateye umutima wawe, gushika aho uhenda Mpwemu yera?" maze aca aramubwira ati: "Si abantu wahenze, ariko wahenze Imana." Ananiya amaze kwumva ayo majambo aca agwa hasi aracikana. Imisore yari iri aho ica iramujana iramuhamba.
4
Haheze akanya gato, safira nawe arinjira, atazi ko umugabo wiwe yamaze gupfa. Nawe nyene asubira kubesha kubijanye na yamahera aca ashikirwa n'ivyashikiye umugabo wiwe. Maze abantu bose babonye ibibaye, baca bagira ubwoba bwishi cane.
5
Imana Mpwemu yera ikora ibimenyetso vyishi n'ibitangaza ibikoresheje intumwa. Nk'akarorero, abagwaye barakira igihe igitutu ca petero caca kuribo.
6
Vyabaye ibihe vy'ibitangaza bikomeye, vyerekana ububasha bw'Imana. Uko abantu bagenda bizera Umwami Yesu, ivyo vyagenda bishavuza cane umuherezi mukuru gushika n'aho ashira mw'ibohero intumwa.
7
Ariko ijoro rimwe, umumarayika w'Uhoraho yugurura inzugi z'ibohero, arabasohora, kandi arababwira ati: "Mugende, muje mugoro y'Imana hanyuma mubwire abantu bose amajambo yose y'ubu buzima." Intumwa zirasohoka zitangura kuvuga ivya Yesu. Mugatondo, abantu b'umuherezi mukuru basanga ibohero rigaragara.
8

Ababonye, umuherezi mukuru arababarira ati: “Ntitwababujije kwigisha muri iryo zina?” Petero n’izindi ntumwa nabo baramwishura bati: “Birakwiye ko twumvira Imana kurusha kwumvira abantu”, uwo muherezi mukuru aca agira ishavu ryinshi cane ashaka no kubica. Ariko babakubita ibimoko, barabarekura. N’aho bari muri iyo mibabaro, intumwa zabandanije kwumvira Imana kandi zabandanya zigisha ivya Yesu.




9

Umusi umwe, umuntu yitwa sitefano baramufashe. Yarakunda umwami Yesu. Mpwemu Yera yaramukoresha mukubwira abandi ivya Yesu. Hariho bamwe bamubeshera bavuga ko yigisha ibinyuranye n’Imana. Bamaze kumucira urubanza rw’akarenganyo, sitefano baratevye baramwica bamuteye amabuye, kubera yizera Yesu.




10

Imbere yo gupfa, Sitefano, yuzuye Mpwemu yera, ahanga amaso mw’ijuru abona ubwiza bw’Imana, na Yesu yicaye iburyo bw’Imana.



11

Abantu beshi bariko bamutera amabuye, Sitefano aca arasenga abwira Imana ati: “Mwami Yesu, akira impwemu yanje!” Hanyuma, nk’uko vyagendeye Yesu k’umusaraba, avuza akamo imbere yo gupfa, aravuga ati: “Mwami, ubaharire icaha cabo!” Aharira abariko bamutera amabuye.



12

Urupfu rwa sitefano rwabaye intango y’uguhamwa gushasha kw’intumwa. Umusore akiri muto yitwa sawuli, yari yafashije mukwica sitefano, yahagarika abakristo bose yabona. Beshi muribo barahunga amazu yabo bakaja i yudaya n’i samariya. Intumwa zonyene nizo zagumye i yerusalemu.



13

N’aho abansi babo bagerageza kubica, abari barasanzaye hirya no hino bagenda bigisha ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo kuko Imana Mpwemu yera yaba muribo kandi yakorera muribo.



14

Ishengero Rihura N'ingorane

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Ivyakozwe n'intumwa 5-7

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130






56

60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16